Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°831 15 Nzero 2025

## Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro



Foto: Ifoto yo mu bubiko

*Ku ncuro ya 58 y'Umusi mpuzamakungu w'ugusaba Amahoro, Nyenubweranda Papa Fransisko ashikirije ijambo ryerekeye Ubutumwa bw'Amahoro, ati: «Ni uturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro». Iryo jambo rikaba riri mu ntambwe zine:*

**I. Kwumviriza amaborogo y'isi igeramiwe**

1. Mu ntango z'uyu mwaka mushasha Dawe wo mw'ijuru aduhaye, nk'umwanya wa Yubile twahariye umwizero, ndipfurije umwaka mwiza abantu bose, cane cane abihebuye kubera ingorane nyinshi z'ubuzima barimwo, none batakigira ayo bacira n'ayo bamira. Mwese ndabipfurije umwizero n'amahoro, kuko uyu mwaka ari Umwaka w'inema zivuye mu Mushaha w'Umucunguzi.

2. Muri uyu mwaka 2025, Ekleziya gatorika ihimbaza Yubile, igihe kuva kera cama cuzuza imitima umwizero.

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

11. Kugira igihugu gitere imbere, igikorwa c'iremezo ni ukubungabunga ivyo ufise ukongera ukagwiza umwimbu. Muri uyu mwaka, twarabonye ko Abarundi batarategera neza ibijanye no kubungabunga ubutunzi bw'igihugu.

Abagwizatunga n'abadandaza, ntibaratahura akamaro k'amakori n'amatagisi, abakorera Reta ntibaratahura ikoreshwa

Soma ku Rup. 4



Foto: Ifoto yo mu bubiko

## Ibirimwo

o Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro...........................3
o Igisabisho ca Yubile y'imyaka 2025 y'Ekleziya.......................................6
o Ingene uburenganzira bwo kwunguruza urubanza butegekanijwe........11
o Ikete nyigisho rigira kane rya Papa Fransisko...................................12

# Idominika ya kabiri: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: Izaya : 62, 1 – 5

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Urukundo rw'Imana ku gihugu ciwe*)

Sinzoreka guhayagize Siyoni, sinzohengeshanya gushimagiza Yeruzalemu, gushika ubutungane bwayo butamanzure nk'umutwenzi, urukiza rwayo ruce ibibatsi nk'umuriro. Intara zizoheza zibone ubutungane bwawe, abami bose babone ubuninahazwa bwawe. Bazogutazira izina rishasha rivuye mu kanywa k'Umukama.

Mu minwe y'Umukama uzoba urugori rukayangana, mu kiganzwa c'Imana uzoca ibibatsi nk'urugori rw'abami. Ntibazoba bakikwita "Intabwa", intara yawe ntizoba icitwa "Akarere", bazoguhamagara riho "Kinezero canje".

Intara yawe bayite "Inkundwakazi"; kuko uhimbara Umukama, intara yawe kandi izoronka umunega. Nkuko umusore yabira umwigeme, niko umuremyi wawe azokwabira, nka kurya umukenyezi anezereza umugabo wiwe, niko nawe uzonezereza Imana.

## Igisomwa ca kabiri: Abanyakorenti:12, 4 – 11

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

(*Mutima wiwe agaba ingabirano ziwe*)

Ncuti zanje:

Hariho ubwoko bwinshi bw'ingabirano mugabo Mutima akaba umwe; hariho ubwoko bwinshi bw'imyuga, mugabo Umukama akaba umwe; hariho ubwoko bwinshi bw'ibikorwa mugabo Imana Yo itunganya vyose muri bose ni imwe nsa.

Umwe wese ahabwa na Mutima ingabirano, kugira igirire akamaro bose. Umwe ahabwa na Mutima ingabirano y'ukwigisha ubwitonzi bw'Imana, uwundi iy'ukwigisha ubumenyi bw'Imana kubw'uwo Mutima nyene, uwundi ingabirano y'ukwemera muri uyo Mutima nyene, uwundi iy'ugukiza muri uyo Mutima nyene, uwundi iy'ugukora ibitangaro, uwundi iy'uguhanura kw'izina ry'Imana, uwundi iy'ugutahuza ibivuye kuri Mutima, uwundi iy'ukuvuga indimi, uwundi iy'ukuzisobanura.

Ariko, ivyo vyose bigirwa na Mutima umwe rudende agabira umwe wese nkuko abishaka.

## Inkuru nziza: Yohani : 2, 2 – 11

**Alleluya, alleluya**

Imana aduhamagaye kubera Inkuru nziza, kugira ngo tubashe gushikira ubuninahazwa bw'Umukama wacu Yezu Krisu.

**Alleluya**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

(*Ikimenyetso ca mbere ca Yezu i Kana*)

Umunsi umwe, habaye ubugeni i Kana mu Bugalile; na we nyina wa Yezu niho yari ari. Yezu na wenyene yari yatumiwe muri ubwo bugeni, hamwe n'abigishwa biwe. Umuvinyu ngo uze guhera, nyina wa Yezu aramubarira ati: "Erega, nta muvinyu bagifise." Yezu nawe aramwishura ati: "Mbega mupfasoni, twe nawe tubisinzikayeko iki? Igihe canje ntikiragera."

Araheza nyina wiwe abwira abasuku ati: "Ico aza kubabwira cose, muragikora." Hakaba hari haterekanze intango zitandatu zabajwe mu mabuye Abayahudi biyuhagiriramwo: imw'imwe yuzuzwa n'impange zibiri canke zitatu. Yezu abarira ba basuku ati: "Nimwuzuze amazi izo ntango." Barazuzuza no hejuru. Araheza Yezu arababarira ati: "Nimudahe rero mushire umuteretsi." Baramushira.

Nya muteretsi ngo yumvirize nya mazi yahindutse umuvinyu, ahamagara nyen'ukorongora kuko atari azi iyo nya muvinyu wavuye, - vyari bizwi gusa na nya basuku bene kuvoma – aramubarira ati: " Abandi bahora babanza gutereka umuvinyu uryoshe, bamara guhimba bakawuhiriza uwutanganya n'uwa mbere kuryoha, yamara weho wabanje kwirengagiza uwuryoshe, none uwuzanye ubu."

Ico nico kimenyetso Yezu yatanguriyeko, agikorera i Kana mu Bugalile. Ukwo nikwo Yezu yerekanye ubuninahazwa bwiwe, abigishwa biwe baca baramwemera.

# Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro

*(Bitangurira ku rup.1)*

Ni igihe abayahudi bavuza inzamba uko imyaka 49 kose iheze, bibutsa umwaka w'impuhwe z'Imana n'ihunguka ry'igihugu c'Imana (Lv 25,10).

Ako kamo kari kagenewe gushika kw'isi yose (Lv 25,9) kugira ngo hasubire kuba ubutungane bw'Imana mu mpande zose: haba mu gukoresha isi, mu gutunga ibintu, mu migenderanire n'abandi cane cane aboro n'ababa baciwe mu kibano.

Ako kamo k'ihembe ry'impfizi y'intama kibutsa abatunzi n'aboro ko ata n'umwe aza kw'isi kugira ngo ahagorerwe, ko twese turi abavukanyi, abana b'umuvyeyi umwe, twavutse turi abishira bakizana, ku bw'ishaka ry'Umukama (raba Lv 25,17.25.43.46.55).

3. No mu misi ya none, Yubile idusaba kurondera ubutungane bw'Imana bubohora abantu kw'isi. Mu ntango z'uyu Mwaka w'Inema, ntidushaka kwumva akamo k'ihembe, ah'ubwo akamo k'abasaba imfashanyo bihebuye kavuye mu mpande nyinshi z'isi kandi Imana yama iriko irumva nk'ijwi rya ya maraso ya Abeli intungane (raba Amamuko4.10).

Natwe duca twumva ko tubwirijwe kuba iryo jwi riva henshi ryiyamiriza ugufutanya iyi isi n'ugukandamiza abandi. Ako karenganyo rimwe na rimwe karahava kakaba nk'ico umweranda Papa Yohani Paulo wa kabiri yise "ingendo-menyero y'igicumuro" kuko kataba kakiva gusa ku bubegito bwa bamwe bamwe, gahava kakaba nk'ingendo mbi ishinze imizi mu gushigikirana kwa benshi mu kibi.

4. Umwe wese arabwirijwe kwumva ko ivy'ugusambura iyi nzu rusangi bimuraba, uhereye ku bikorwa vyose biruhira gukwega n'ugushigikira amatati asinzikaje iyi si. Ingorane nyinshi zitandukanye ziri mu rufatangane kuri iyi si zirafise abaziyumvira n'abazitera.

Novuga ngaha nk'akarenganyo gatuma abantu badafatwa kumwe mu buryo bwinshi, ugufatwa bukoko kw'inyambukira, ugutitura ibidukikije, uguhubisha abantu ku rwenge biciye mw'itangazamakuru, ukwanka icitwa ibiganiro cose, be n'ugushira amahera mu mahinguriro y'ibirwanisho. Ivyo vyose biri mu bigeramiye koko ukubaho kw'abantu kuri iyi si.

Ni co gituma mu ntango z'uyu mwaka, tugomvye kwumviriza akamo k'iyo si kugira ngo kadukabure, dutahure ko, twese hamwe n'umw'umwe ku bimwega, tubwirijwe gucagagura imvuto z'akarenganyo, dushobore kumenyesha ubutungane bw'Imana.

Udukorwa twirebanga kandi twa rimwe na rimwe tw'ugufasha abantu, ntituzoshobora gukwira.

Harakeneweitunganywa rishasha mu vy'imico n'imibano, kugira ngo habe impinduka irama.

**II. Impinduka mu vy'imico: turafitaniye umwenda twese**

5. Yubile idutumirira kwubahuka guhindura ibintu kugira ngo duhangane n'ibihe turimwo vy'akarenganyo n'ukudafatwa kumwe kw'abantu, mu kwibuka ko ibintu vyo kw'isi bitagenewe gusa aboba ari abahirwe, ariko bigenewe bose.

Erega ni vyiza ko twokwiyibutsa ivyo umweranda Basile w'i Sezareya yanditse agira ati: "Mbega, mbwira neza, n'ikihe kikwegukira? Wabikuye he ngo uvyinjize mu buzima bwawe? (...) Ntiwavuye mu nda y'umuvyeyi wawe uri gusa ? Ntuzosubira mu kuzimu kandi uri gusa ?

Ivyo ufise ubu, wabikuye he ?

Niwaba wibwira ko wabironse ku gihamana, uri umuhakanyi, kuko utazi Umuremyi, kandi nta n'ubukengurutsi ufitiye Uwabiguhaye."

Iyo habuze umutima w'ugukenguruka, umuntu ntaba akimenya ivyagabirwa n'Imana. Ariko mu mpuhwe zayo, Imana ntiyigera iheba abantu bayicumurako.

Irushirizaho nyabuna gshimangira ingabire y'ubuzima, ikoresheje ikigongwe c'urukiza, rwahawe bose muri Yezu Kristu.

Ni co gituma mu kutwigisha "Dawe wa twese", Yezu adutumirira gusaba duti: "Nuduhebere umwenda wacu" (Matayo 6,12).

6. Iyo umuntu atitayeho agahivu kamufatanya na Data, yibaza ko imigenderanire afitaniye n'abandi ishobora ku-

*Ibik. urup.5*



Ihembe ry'intama nk'ikimenyetso c'inzamba ya Yubile

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

(Bitangurira ku rup. 1

neza ry'ikigega c'igihugu; mbere benshi bifata nk'uko batazi amahera igihugu gikoresha iyo ava.

Twarabonye no mu bushikiranganji bumwebumwe basohora amahera, bafatiye ku masoko atabaho n'ibikorwa bitakozwe. Mbere n'abarongozi b'amabanki, bifata nk'abatazi ko ari bo bajejwe kubungabunga itunga ry'igihugu, kandi ari bo bari kuba abahinga igihugu cikorako.

12. Mbere uyu mwaka, twarabonye n'abatoba n'impaka ubutunzi bw'igihugu: Bamwe baranyegeje amahera y'igihugu kugira abenegihugu babure ayo baja gusumisha kandi ari rwabo; abandi barashoye ibidandazwa mu bindi bihugu, ariko ntibatahana amahera mvamakungu baronse, ndetse n'ingenzi mvamahanga zaje mu gihugu, amahera mvamakungu zazanye barayegeranije barayanyegeza, kugira igihugu ntikironke amahera mvamakungu yo kugura ivyo Uburundi butihingurira.

Hari n'abandi bacisha ivyo baranguye hanze mu binywabi, kandi bazi neza ko ayo babiguze yavuye i Burundi. Aho hose bahunga amakori n'amatagisi.

13. Uyu mwaka buca dutangura rero, uzananye n'impinduka mu gutunganya ubutunzi bw'igihugu. Abahora batazi ko gutoba itunga ry'igihugu ari igicumuro gihanwa n'amategeko mpanavyaha, nibabimenye kuko, ubu, abahora bigira ibiro biteze, bakinisha itunga ry'igihugu, bagiye gufatirwa ingingo.

Ica mbere coco mube murakimenya, amakori n'amatagisi ategerezwa kwinjira yose mu kigega c'igihugu. Uwuzokwigira sindabibazwa na we, amenye ko intahe izomukubita mu gahanga. Hariho abahora babikora bitwaje ko bahagarikiwe n'abigira ibihangange.

Uwuzofatwa abimenye, n'uwamukingiye ikibaba, bazohanirwa hamwe. Abatozakori mbaye ndabagabisha: Ubu mumenye ko ari ukwitanga, bibaye ngombwa duhindure amategeko abagenga, ku buryo bazohemberwa ico bakoze, abinjije make bahembwe make, abinjije menshi bahembwe menshi.

14. Mw'ibungabungwa ry'ikigega, na ho nyene ni mubimenye; amahera yose ategerezwa gusohoka twabonye neza ico agiye gukora ku neza y'abenegihugu. Abahora rero bayayangira mu kinyegero, bamenye ko uyu mwaka buca utangura ari uwundi.

Tuzokoresha ubushobozi bwose duhabwa n'amategeko kugira abafise izo ngeso batuzwe, mbere n'abayasohoye ataco agiye gukora tubakurikirane, bayagarukane kandi bahanwe.

15. Mu bijanye n'igisata co kugwiza umwimbu, Abarundi bose bavyumve kuko si ubwa mbere ndabivuze. Kugira utunge wongere utunganirwe, utegerezwa kugira umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi. Uwo mwidegemvyo ntuzoboneka utunzwe no gutega amashi.

16. Umuntu wese azi ko akorera uwundi, naho uzoba ukorera igihugu, niwibaze uti: "Mbega aka kazi nkora kohera uyu musi nobaho gute"? Niwibaza ico kibazo, ugasanga ikirato kizoca kiguhengamirako, umenye ko ata kazoza uzoba ufise, uce ukura amaboko mu mpuzu, ukore ikintu kiguha umwimbu ushora kw'isoko.

17. Ivyo gushora ntibibuze: hari ibiva mu burimyi n'ubworozi, ibiva mu burovyi, ibiva mu bwonko bwacu n'ibiva mu bikorwa vy'ingenzi. Turizeye ko ata wobura ico atora muri ivyo. Ivyo bigaca bijana no guhingura ivyo twimbuye be n'itunga kama Imana yaturemeye.

Umurundi atari muri ivyo bisata mvuze, ntaco ariko arafasha mw'iterambere ry'igihugu dushaka. Naho woba uri mu bindi bikorwa, ni vyiza ko ugira n'akantu gatoyi ukoze kagwiza umwimbu kugira uhe agaciro amafaranga ufise.

18. Dutegerezwa kugwiza umwimbu kugira dukure hanze bike. Birababaje kubona mu masoko yose, mu maduka, yuzuyemwo ibintu biva hanze, mbere harimwo n'ivyo twari kwihingurira ngaha iwacu!

Uno mwaka, dufatiye ku biharuro duhabwa n'ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi (OBR), amafaranga yinjiye mu gihugu avuye mu vyo dushoye hanze angana n'amadorari imiriyoni mirongo umunani n'ibihumbi amajana atatu na mirongo itanu, na mirongo itandatu na rimwe (80.350.061 $), ariko ivyo twakuye hanze bifise agaciro kangana n'amadorari umuriyaridi n'imiriyoni amajana umunani na mirongo ibiri n'indwi, n'ibihumbi mirongo itatu na kimwe n'amajana ane (1.827.031.147$).

Ikibabaje, muri ivyo vyavuye hanze, ivyo kwinezereza ngo twerekane ko turi abakire ni vyo vyinshi. Ikindi kibabaje, ni uko n'ubwo ivyo vyavuye hanze bifise ako gaciro, amafaranga mvamakungu yavuye mu ma banki kugira birangurwe angana na n'amadorari imiriyoni ijana na mirongo umunani n'imwe, n'ibihumbi mirongo itandatu, n'amajana umunani na mirongo icenda.

Biragaragara rero ko ibice birenga 80% vy'amafaranga akoreshwa mu kurangura hanze, ava mu minwe y'abanyonyezi bayanyegeza mu mazu.

19. Ni co gituma tugiye

Ibik. urup.7

# Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro

(Bitangurira ku rup. 3

gengwa na ka gatima k'uko akaruta akandi kakamira.

Nk'uko no mu gihe ca Yezu abakire bakamisha amagorwa ya ba ntahonikora, ni ko no kw'isi ya none isigaye imeze nk'ikigwati kimwe, iyo indinganizo mpuzamakungu y'ugutunganya ibintu itisunze intumbero y'ugufashanya n'ukuba magiriranire, ica ivyara akarenganyo kunyurwa n'ibiturire, bigata mu kaga ibihugu bikenye.

Ingendo y'ugukamisha uwugufitiye ideni irerekana mu ncamake ingorane z'umwenda w'ubu uremereye ibihugu vyinshi, cane cane vyo mu Bumanuko bw'isi.

7. Sindambirwa n'ugusubiramwo ko umwenda wo hanze usigaye warabaye igikoresho co gucunga, Leta zimwe zimwe z'ibihugu bitunze n'amashirahamwe y'ubutunzi yigenga amw'amwe bikorako mu kwihagira uko bishakiye, amatungo kama y'ibihugu bikenye, kugira ngo bikenure mu masoko yabo.

Ikindi kibabaje, ni uko abantu benshi basanzwe baremerewe n'ingaruka mbi z"ayo madeni yo hanze, babwirizwa kandi kwikorera umuzigo w'ideni ry'ibidukikije riterwa n'ibihugu bitunze.

Ideni ryo hanze n'ideni ry'ibidukikije ni amabi masa, kuko bikomoka kuri iyo migenderanire y'akarenganyo iri hagati y'ibihugu bitunze n'ibikenye bituma haba ideni ry'umurengera.

Mfatiye kuri uyu mwaka wa Yubile, ndatumiriye amakungu gukora ku buryo ahebera abayafitiye ayo madeni yo hanze, mu kwibuka ko hari ideni ry'ibidukikije riri hagati y'ibihugu vy'Uburaruko n'ivy'Ubumanuko bw'isi. Si akamo gusa gafatiye k'ugufashanya n'ugushigikirana, ni akamo cane cane gafatiye k'ubutungane.

8. Impinduka nyayo mu vy'imico n'imibano ishobora gutorera inyishu ico kibazo c'ideni izoba mu gihe twebwe tuzoba tumaze kwemera ko twese turi abana ba Dawe wa twese, ni ho tuzoca twemera ko twese tumufitiye ideni kandi ko turi ba magiriranire, umwe wese mu ruhara rwiwe mugabo dusangiye n'abandi.

Ni ho tuzoca "tujijuka tukabona ko umwe wese akeneye uwundi, kandi ko dufitaniye amadeni hagati yacu".

### III. Inzira y'umwizero: ibikorwa bitatu bishoboka

9. Umutima wacu ni wemera kunyurwa n'izo mpinduka zikenewe, Umwaka w'Inema wa Yubile uzoshobora kutwugururi inzira nshasha y'umwizero kuri umw'umwe muri twebwe. Umwizero uvyarwa n'ukubona ko impuhwe z'Imana zitagira ingero.

Ku bwa ngingo, Imana nta muntu n'umwe ifitiye umwenda.

Ariko ibandanya iha ubudahengeshanya inema n'impuhwe vyayo abantu bose. Umukurambere mu kwemera w'Ekleziya yo mu Buseruko wo mu kinjana c'indwi yitwa Izahaki wa Niniva yanditse ati:

"Urukundo rwawe rurarengeye kure n'iyo amadeni yanje.Imikuba yo mu kiyaga ni ubusa ngereranije n'igitigiri c'ibicumuro vyanje, ariko iyo mpimye ibicumuro vyanje, nkabigereranya n'urukundo rwawe, bica biyonga nk'ubusa.

Imana ntigira ingere ku yindi ku kibi c'umuntu, ah'ubwo, ku buryo buturengeye "yuzuye impuhwe kubera rwa rukundo rutagira ingero yadukunze" (Eph.2,4).



*Isanamu ya Yezu Munyakigongwe*

Mugabo kandi, ibandanya yumviriza amaborogo y'aboro n'ay'isi. Ni co gituma, n'aho gusa umuntu yofata akanya mu ntango z'uyu mwaka, agakubitiza agatima ku buntu bw'uko iguma itugirira ikigongwe ku bicumuro vyacu, ikaturekurira umwenda wose, imitima yacu yoca yuzura umwizero n'amahoro.

10. Ni co gituma Yezu, muri ca gisabisho ca "Dawe wa twese", avuga ikintu gihambaye cane amaze gusaba Data ko yoturekurira umwenda wacu (raba Matayo 6,12). Agira ati: "Nkuko natwe turekurira abadufitiye umwenda".

Kugira ngo duhebere abandi umwenda badufitiye kandi tubahe gurtyo umwizero, ni uko ubuzima bwacu buba bwuzuye uyo mwizero ukomoka ku mpuhwe z'Imana.

Umwizero usesekara iyo tuzi gutanga tutitangiriye itama, tutagira ingere ku yindi; umwizero ntuharura ibiri mu mipfuko y'uwudufitiye ideni, nturondera akunguko, ariko urazwa ishinga gusa n'ikintu kimwe: kuvyura abaguye, gutenga imitima yavunitse, n'ukubohora abo bose bari mu mvuto z'ubuja ubwari bwo bwose.

11. Nipfuje rero ko mu ntango z'uyu mwaka w'ubuntu bw'Imana, nobahanura ibintu bitatu mbona ko bishobora gusubiza iteka ubuzima bw'abantu n'ukubasubiza mu nzira y'umwizero, kugira hatorerwe inyishu ikibazo c'amadeni, gurtyo bose basubire

Ibikur. urup. 8

## IGISABISHO CA YUBILE Y'IMYAKA 2025 Y'EKLEZIYA

*Dawe uri mw'ijuru / ukwemera waduhaye mu Mwana wawe Yezu Kristu / Umuvukanyi wacu n'urubeya rw'urukundo mu mitima yacu / ni bikabure muri twebwe / ukwizigira guhimbaye kw'umuzo w'Ubwami bwawe.*

*Ese inema yawe yoduhindura ababivyi ngirakamaro b'imbuto z'Inkuru Nziza / zo kwambira umuryango w'abantu n'isi yose / mu kurindirana umwizero ijuru rishasha n'isi nshasha / kuko ububasha bwa sekibi buzoba bwatsinzwe / ubuninahazwa bwawe bukabona kwigaragaza imyaka yose.*

*Ese inema ya Yubile yokabura muri twebwe turi ku rugendo kubw'ukwizigira / inyota yo guhurumbira ivyiza vy'ijuru / kandi igashungururira kw'isi yose akanyamuneza n'amahoro vy'umucunguzi wacu.*

*Ese Mana uhezagiye imyaka yose / woshimagizwa kandi ukaninahazwa / maze ishimagizwa n'ininahazwa vyawe bikamaho ubu no mu myaka n'imyaka. Amen*

**Papa Fransisko**

*Iki gisabisho cahinduwe mu kirundi n'igisata kijejwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi*

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

(Bitangurira ku rup.4)

gufata ingamba kugira tugarukire ubutunzi n'iterambere ry'Uburundi. Ku bakozi ba Reta, mubimenye kandi mubitegere ko igihe c'imikino carangiye.

Mu misi ya vuba tugira tugendere ibisata vya Reta bitwereke ico bigiye gukorera abenegihugu muri aya mezi atatu, ni ukuvuga mu misi ijana. Abatagira umugambi na bo, nta kundi, kuko kuva ubu nta muntu n'umwe agiye kubandanya ahembwa ataco yakoze. Abata ibikorwa vyabo bagiye ku mabaramiro mu bunywero, tugiye kubafatira ingingo ruhasha.

20. Ikindi kintu gihambaye ariko gitangaje, ni ingene amafaranga ari ku ma konte y'amashirahamwe ya Reta, umengo si ayayo, ugasanga abajejwe kuyarongora bayafata nk'ayabo bwite, bakibagira ko bashinzwe kuyabungabunga no kuyavyaza umusaruro ku neza y'igihugu.

Aha rero aboba bibaza ko bategerezwa gukoresha amafaranga y'amashirahamwe ya Reta nk'ay'abo bwite turabavuniye akagohe, ntibahirahire ngo basubire gukora ibidakorwa, kuko vyohava bibakora!

Bose baterezwa kwumva ko ayo mahera baharura ko ari ay'igihugu, ategerezwa kwandikwa mu mutungo w'igihugu harya mu kigega gikuru c'igihugu.

21. Abihaye na bo ingeso yo kunyegeza amahera iwabo, canke amabanki anyegeza amahera kugira ibanki nkuru ntimenye ingene itunganya ibijanye n'ubutunzi, na bo nagira ndabagabishe.

Tugiye gukoresha ubushobozi bwose Imana yaduhaye kugira turandurane n'imizi ako kabi.

Uwo tuzosanga raporo yiwe itandukanye n'ukuri, abimenye ko ari icaha gihanwa.

Twarabonye kandi ko mugutoba itunga ry'igihugu hari inzoka yizingiriye ku gisabo, ngo twanse ko batoba itunga ry'igihugu vyose bimeneke.

Naho nyene, tuzokoresha ubwenge Imana yaduhaye iyo nzoka tuyimature kandi tuyihonyore ku mutwe, ico gisabo gisigare kidora.

22. Mu kugarukira iterambere, dushaka yuko ata Murundi yorya ataco yahaye amaboko. Twasanze Abarundi batakaza n'imiburiburi amasaha 16 ku musi, ivyo bituma umwimbu utagwira, ariko abafungura ari benshi.

Birababaje kubona incabwenge, indongozi zari kuba akarorero, uzisanga mu bunywero imbere y'isaha zitandatu canke imbere yuko izuba rirenga.

Ni co gituma tugiye kugwanya twivuye inyuma amabaramiro yose akorana mu masaha abantu bari kuba bari ku gikorwa. Ico 9 ndababwiye ni uko incabwenge arizo zizotangura kubona ingene tuzogwanya uwo muco.

23. Ku ruhande rw'uburongozi bw'igihugu, turazi ico ibisata vya Reta bisabwa : Ni umutekano, ubutungane no gukora ibishoboka kugira abenegihugu bari ku kivi boroherezwe.

Tugiye gukora ibishoboka kugira igihugu na co gishobore kuronka uburyo butuma abo benegihugu baramirwa. Ni co gituma tugiye kwitaho bimwe biboneka igisata co guhingura ubutare, kugira Uburundi na bwo buronke ico bushora hanze, buronke uburyo bwo kwubaka inyubako rusangi no kurondera umuyagankuba ukwiye.

24. Uburundi buteye imbere kandi, nti tuzobushikira tutitayeho ibidukikije. Nti twibagire ko iyi isi ari ingabire twahawe n'Imana ku buntu. Itubungabungiye ubuzima, ni na co gituma natwe dutegerezwa kuyibungabunga.

Gukingira ibidukikije, ni ugukunda isi n'igihugu cakwibarutse. Ni co gituma tuzokwama duhimiriza guca imikobeko aho hose ikenewe, no gutera ibiti canke ivyatsi ku nkengera z'inzuzi.

Barundi, Barundikazi,

25. Iyo twavuye turahazi kandi turahazirikana, iyo tuja turahazi, murumvise ko ari kure. Ni kure ariko haragendwa, tuzohashika kuko ni heza ; « ico umutima ushatse nti kiba kure y'amaguru ».

Nshingiye ku vyo mpejeje kuvuga vyose, nsavye mwese Abarundi ibi bikurikira :

26. Ni mugire urunani mu gukora, musenyere ku mugozi umwe. Kuva na kera na rindi, Abarundi bamye bakorera hamwe, bagahinda ikibiri kugira barime hanini, bimbure vyinshi bipfuza.

Na twebwe rero, mu gihugu cose, tuje hamwe, turangure imigambi iduza ubutunzi, dutunge, dutunganirwe. Ntihagire uwusubira guhagarika umutima kubera ibicantege duhura, ivyo vyose tuzobitsinda turi ku kivi.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Ubundi,

Sinosozera ntabamenyesheje ingingo zine zikurikira, zigiye gufatwa kugira ngo dukomeze urugendo rwacu rutuganisha mu gihugu giteye imbere :

Ubwa mbere : nk'uko bitegerezwa, tuzobandanya gucungera amahoro n'umutekano ; uwuzohirahira agashaka kuwudurumbanya azofatwa nk'umwansi w'igihugu, aronke igihano kibereye;

Ubwa kabiri : abagize akamenyero kurya ibiturire no gusesagura

Ibikur. urup. 8

# Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro

kwiyumva nk'abafise amadeni barekuriwe.

Nkundire ntangurire ku kamo katewe n'Umweranda Papa Yohani Paulo wa kabiri mu gihe ca Yubile y'Ekleziya yo mu 2000, yasavye ko hokwiyumvirwa "igabanywa riboneka canke mbere ugufuta rwose ideni ibihugu bitunze bifitiwe, riremereye kazoza k'ibihugu vyinshi".

Mu kwibuka ko ivyo bihugu bitunze na vyo nyene bifitiye ibindi ideni mu vy'ibidukikije, ese vyokwumva ko bihamagariwe gukora ibishoboka vyose, kugira ngo bihebere umwenda ibihugu bidashobora kwishura ivyo bitegerezwa.

Ariko, kugira ngo ntibise n'uko hakozwe igikorwa c'ikigongwe cirebanga cohava gishobora kivyura urukwegane rw'ico uhebeye umuntu kimera nk'ideni, ni nkenerwa ko hokwigwa iringanizwa ry'ingene ubutunzi bwotunganywa kw'isi ukundi gusha, bisunze ingendo y'ugushigikirana n'ukwubahana hagati y'ibihugu.

Ndasavye kandi ko hoba ukwiyemeza kuboneka kw'amakungu mu vyerekeye uguteza imbere ukwubaha iteka ry'ubuzima bw'umuntu, kuva agisamwa gushika ku rupfu rwiwe rw'akarago, kugira ngo umuntu wese ashobore gukunda ubuzima bwiwe kandi arabane umwizero kazoza kiwe, abone kurondera iterambere n'ubuhirwe vyiwe n'ivy'abana biwe.

Nkako, ata mwizero umuntu afitiye ubuzima, biragoye ko mu mitima y'abakiri bato hovuka icipfuzo c'ukuvyara ubuzima bushasha.

Ku buryo budasanzwe, nagomba nongere nsabe ikintu kiboneka cerekana ishaka ry'ukugira umuco w'ugukingira ubuzima. Nshaka kuvuga nk'ugukura mu makungu yose itegeko ry'igihano c'urupfu.

Erega, iyo ngendo ntihonyanga gusa iteka ry'ubuzima ari katihabwa, ni ingendo kandi ituma yica rwose mu muntu umwizero wose w'ikigongwe n'ukwisubirako.

Ndubahutse kandi gusubira gutera akandi kamo inzaruka z'abakiri bato, nisunze umweranda Paulo wa gatandatu na Papa Benedigto wa cumi na gatandatu, muri ibi bihe birangwa n'ingwano.

Nidukoreshe igice gitoyi c'amahera ategekanirizwa ibigwanisho kugira hashingwe ikigega mpuzamakungu c'ukurandurana n'imizi inzara, n'ukworohereza igikorwa c'indero mu bihugu bikenye, kugira ngo haboneke iterambere nyaryo rirama, mu kugwanya ihindagurika ry'ibihe.

Turabwirijwe kugerageza gukura mu nzira urwitwazo rwose rutuma urwaruka rwiyumvira kazoza karwo n'umwiheburo, canke nk'igihe c'ukurindira kuzohora amaraso y'ababo.

Kazoza ni ingabire iduha akaryo ko kurengana ivyo twihenzeko muri kahise, kugira ngo twubake inzira nshasha z'amahoro.

***Biracaza***

**Vyahinduwe mu kirundi n'Igisatakijejwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi**

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

amatungo y'igihugu, bazobogozwa mu mabanga yabo, bahanwe, barihe ikibiriraho ivyo basahuye, kandi ntibazosubira gushingwa amabanga n'igihugu ;

Ubugira gatatu: Abanyegeza amahera yabo mu mazu aho kuyatwara mu mabanki, canke amabanki adatanga raporo y'ukuri mw'ibanki nkuru y'igihugu, abadatanga amakori n'amatagisi bitwaje ibihagararo vyabo, bazofatwa nk'abansi b'iterambere ry'igihugu, abagararaji, hanyuma bahanwe vy'akarorero;

Ubwa nyuma: muntu uzofatwa uriko unyegeza ibicuruzwa ivyo ari vyo vyose kubera uburiganya, ivyo twita « stock de spéculation », canke uriko uduza ibiciro uko wishakiye, ugurisha ibidandazwa ku biciro wishingiye wewe nyene, witwaje ibi na biriya, uzokwakwa uburenganzira bwo gucuruza, hamwe n'ibindi bihano ruhasha.

Dusavye ubu nyene ubushikiranganji bw'ubudandaji, gukora ivyigwa vuba bwango kugira hamenyekane ibiciro mfatirwako vy'ibidandazwa, hamwe n'inyungu ntarengwa ku bikorwa vy'ubudandaji ku masoko y'aha iwacu.

Gurtyo abahiganwa, bazohiganwa bamanuka hasi, ntibazohiganwa baniga umwenegihugu. 28.

Mu gusozera, nashaka gusubira kwipfuriza Abarundi bose aho bari hose umwaka mwiza.

Uyu mwaka w'2025 niwahera, tuzoheza twirimbure, turabe umunyamwete yarushije abandi, aheze ashimirwe izuba ryaka.

Musangire rero ivyo mwategekanije, muyaga amahoro n'umutekano, ariko mutibagiye urugendo turimwo rugana kuri ya Mbonakazoza yacu y'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060.

Imana Segaba ibahangaze !

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ukumenyesha

REPUBLIQUE DU BURUNDI
MINISTERE DE LA JUSTICE
TRIBUNAL DE RESIDENCE
NGAGARA

RC 4008/2024

SIGNIFICATION DE JUGEMENT A DOMICILE INCONNU.

L'an deux mille vingt cinq,le [illegible].Jour du mois de Janvier.
A la requête de KAYUKU Aloys résidant à MUYINGA.
Je soussignée,GAKIZA Josélyne huissier assermanté près le Tribunal de Résidence Ngagara.
Ai signifié à NYIRUBUTAMA Appolinaire résidant actuellement à domicile inconnu.
L'expédition en forme exécutoire d'un jugement rendu contradictoirement le 30/12/2024 par le Tribunal de Résidence Ngagara séant à Ngagara siègeant en matière civile en cause KAYUKU Aloys contre NYIRUBUTAMA Appolinaire dans l'Affaire RC 4008/2024.

ISHINZE KO:

1/ Sentare yakiriye imburano nkuko zashikirijwe na KAYUKU Aloys ivuze ko zishemeye.

2/ Sentare irakomeje ubuguzi bwabaye hagati ya NYIRUBUTAMA Appolinaire na KAYUKU Aloys mu ngingo zawo zose.

3/ Amagarama y'urubanza atangwa na NYIRUBUTAMA Appolinaire.

Uko niko ruciwe kandi rusomwe mu ntahe y'icese yo ku wa 30/12/2024.

HASHASHE: Umucamanza : NTARYERA Laura/Sé
Umwanditsi: HATUNGIMANA Radégonde /Sé

Et pour que le signifié n'en ignore,attendu qu'il n'a ni domicile,ni résidenc connu ou hors de la République du Burundi,j'ai affiché la copie du présent exploit à la porte principale de l'audictoire du Tribunal de Résidence Ngagara,et en ai faif parvenir un extrait du même exploit au Journal NDONGOZI pour Publication.

DONT ACTE.

L'HUISSIER.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Tribunal de Résidence
NGAGARA

# Ingene uburenganzira bwo kwunguruza urubanza butegekanijwe

Umuntu wese iyo yituye sentare hanyuma ntashime urwaciwe, arafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza. Nta n'umwe arekuriwe kubuza canke kubera intambamyi uwo wese ashatse kwunguruza urubanza.

Kwunguruza urubanza ni uburenganzira butegekanijwe n'amategeko kandi niyo yerekana ingene kugenda. Mu mategeko ategekanya ubwo burenganzira,tuja kwisunga ingingo ziri mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, ingingo ziri mw'ibwirizwa nomero 1/27 ryo ku wa 28 kigarama 2023 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa hamwe n'ingingo ziri mw'ibwirizwa nomero 1/21 ryo ku wa 3 myandagaro 2019 rigenga sentare ntahinyuzwa.

Ibi tubishikirije mu ntumbero yo kumenyesha uwunguruza uwo ari we, ibiringo bitegekanijwe kugira ngo urubanza rwungurujwe rwakirwe, no kubamenyesha kandi ko uwutashimye ingingo sentare yafashe atoca anigirwa mu menshi, ko afise uburenganzira bwo kwunguruza, nk'uko amategeko ategekanya ingene iryo yunguruzwa riheza rikagenda.

Nk'uko amategeko asanzwe avuga ko hari ubwoko bw'imanza bubiri, iz'ivyaha n'iz'amatati, iyunguruzwa ry'imanza ryerekeye ubwo bwoko bwose.

**1. Ku vyerekeye imanza z'ivyaha.**

Ivyerekeye ingene iyunguruzwa ry'imanza z'ivyaha ritegekanijwe, tubisanga mu ngingo zo kuva ku ya 321 gushika ku ngingo ya 331 z'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

*a. Ninde afise uburenganzira bwo kwunguruza ?*

Abafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza, ni uwagirizwa icaha, umushikirizamanza, uwaciriwe gutanga indishi hamwe n'uwusaba indishi. Tubisanga mu ngingo ya 321 ya kino gitabu.

Umushikiranganji w'ubutungane niwe yitura sentare, abisabwe n'uwipfuza ko urubanza rwabaye ntabanduka rusubirwamwo, mu gihe asanze ivyo asaba bifise ishingiro. Tubisanga mu ngingo ya 161 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

b. *Iyunguruzwa rikorwa gute ?*

Ingingo ya 324 ivuga ko ukwunguruza urubanza bishobora kugirwa vyanditswe musi y'urwandiko rumenyesha urwaciwe, canke kubimenyesha mw'iyandikiro ry'imanza rya sentare yaruciye canke rya sentare y'iyungururizo canke mw'ikete yandikiye umwanditsi w'imanza w'imwe muri izo sentare. Igenekerezo umwanditsi w'imanza aronkeyeko iryo kete ni ryo ryerekana umusi iyunguruzwa ry'urubanza ryagiriweko.

Iyi ngingo ibandanya uvuga ko uwo musi nyene aronkeye ko iryo kete, umwanditsi w'imanza aca aryandikako igenekerezo arironkeyeko, agaca amenyesha uwunguruje urubanza ko iryo yunguruza ryakiriwe.

Umwanditsi w'imanaza ni we afise igikorwa co kumenyesha abandi baburanyi ivyerekeye iyunguruzwa ry'urubanza.

Mu gihe uwunguruje urubanza apfunzwe, iyo ashaka kwunguruza urubanza ategerezwa kubicisha ku muyobozi w'ibohero. Igenekerezo iyunguruzwa rigiriwe ko ryerekanwa n'igenekerezo umuyobozi w'ibohero ashiriyeko umukono werekana ko ryamuciye mu minwe, kw'ikete ryanditswe n'umupfungwa ryo kwunguruza urubanza. Tubisanga mu ngingo ya 324.

Iki gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, kirerekana kandi uruhara rw'umwanditsi w'imanza mu gihe urubanza rwungurujwe.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 325, umwanditsi w'imanza wo muri sentare yaciye urubanza rwungurujwe aca arungikira mu maguru masha umwanditsi w'imanza wo muri sentare y'iyungururizo, inzandiko urubanza rwaburanishirijweko n'iyimuriro ry'urwo rwungurujwe kandi hatarenze ikiringo c'iminsi 15 kuva rwungurujwe.

*c. Ni ibihe biringo bitegekanirijwe iyunguruzwa.*

Iki gitabu caretegekanije kandi ibiringo iyunguruzwa ritegerezwa kugirirwako. Nk'uko ingingo ya 322 ibivuga, iyunguruzwa ry'urubanza ryakirwa mu kiringo c'imisi 30 ikurikira umusi rusomeweko, iyo ari umushikirizamanza yarwunguruje.

Iyo ari ababuranyi baburanye i-mbonankubone canke iyo rwaciwe impaga, ikiringo gitegekanijwe co kwunguruza urubanza, congerwako imisi urugendo rumara, ariko nticigere kirenza imisi 45. Tubisanga mu gace ka 3 k'iyi ngingo.

Agace ka 4 na ko kavuga ko urugendo bafatirako mu guharura uwo mwanya ni ururi hagati y'aho uwunguruje aba n'iyandikiro ry'imanza nyene kwunguruzayamenyesheje ko yunguruje, iyo ari urubanza rwaburanishijwe imbonankubone.

Iyo urubanza rwaciwe impaga naho, urugendo rw'ifatiro ni ururi hagati y'aho urubanza rwamenyesherejwe ni ukuvuga aho sentare yaruciye ihereyeye n'iryo yandikiro ry'imanza ry'aho rwungururijwe.

Iyo urubanza rw'icaha rwungurururijwe muri sentare ntahinyuzwa ngo rusamburwe, ikiringo co kwunguruza ni imisi 60. Tubisanga mu ngingo ya 144 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Ikiringo kingana uko nyene mu gihe c'uruban-

Ibikur. urup. 11

# Ingene uburenganzira bwo kwunguruza urubanza butegekanijwe

(Bitangurira ku rup.10)

za rwabaye ntabanduka hakaba hasabwe ko rusubirwamwo na sentare ntahinyuzwa ibisata vyayo vyose bikoranye, ico bita “ révision ” mu kinyamazuru. Tubisanga mu ngingo ya 162.

*d.Ukwihweza ingene iyunguruzwa ryakozwe.*

Ingingo ya 326 na yo ivuga ko, Sentare y'iyungururizo yisunga ibiri mu rwandiko rusaba kwunguruza urubanza ikongera ikaraba ko uwunguruje abifitiye uburenganzira. Iyo uwagirizwa icaha ataronse ikopi y'urubanza imbere yo kwunguruza, arashobora gutanga ibindi bikenewe vyunganira urwandiko rwunguruza urubanza rwatanguye kuburanishwa.

2. **Mu manza z'amatati.**

Uburenganzira bwo kwunguruza urubanza ntibutegekanijwe ku manza z'ivyaha gusa nk'uko duhejeje kubibona muri kino gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, zibubranishwa n'ingene zicibwa, burategekanijwe kandi no ku manza z'amatati.

Ingene iyunguruzwa ry'imanza z'amatati rigenda, ritegekanijwe mw'ibwirizwa nomero 1/27 ryo ku wa 28 kigarama 2023 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa mu ngingo zo kuva ku ya 254 gushika ku ngingo ya 300.

Izi ngingo zivuga ko ukwunguruza urubanza, gutumwe no kutemera urwaciwe ku rugero rwa mbere, gutuma urwambere ruhindurwa canke rufutwa na sentare rwungururijwemwo.

*a. Uwunguruza uwo ari we.*

Uburenganzira bwo kwunguruza urubanza, burarekuriwe uwo ari we wese mu baburanyi atashimye urwaciwe, ariko ntabigira umwanya yishakiye, hariho ibiringo vyategekanijwe n'amategeko.

*b. Ibiringo bitegekanijwe.*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 269 ya kino gitabu, ikiringo c'ukwunguruza urubanza ni ic'imisi 30. Ku manza zaciwe ababuranyi bahinyuzanya, ico kiringo gitangura guharurwa kuva umusi ukurikira uwo urubanza rwamenyesherejwe ko uwipfuza kwunguruza.

Ku manza zaciwe impaga, ico kiringo gitangura guharurwa kuva umusi rutagishobora gusubirishwamwo muri sentare yaruciye.

Iyo umwe mu baburanyi bishitse akitaba Imana, ico kiringo gica gihagarikwa. Haca hashingwa ikiringo gishasha na co kigatangura guharurwa umusi umwe umwe wese mu basigwa amenyesherejwe urubanza rwaciwe bisabwe n'uwo baburana. Tubisanga mu ngingo ya 270.

Umushikiranganji ajejwe ubutungane ni we afise ububasha bwo kwunguruza imanza zerekeye Reta. Tubisanga mu ngingo ya 258. Iyi ngingo irategekanya kandi ko umuburanyi ashobora kwiserukira canke agaserukirwa n'uwumuburanira.

Ivuga ko, iyo umuburanyi afashe ingingo yo kwunguruza urubanza, ashobora kwiserukira we nyene ubwiwe, canke agaserukirwa n'uwo yatumye afise urwandiko rubimuhera ububasha.

Umushingwarubanza w'umuburanyi yunguruje urubanza n'umushingwarubanza w'uwungururijwe bategerezwa kuba bafise urwandiko rubaha ububasha bwo kuburanira ababatumye.

Iyo urubanza ruhuza abantu benshi, naho nyene amategeko yarategekanije ingene iyunguruzwa ryarwo riheza rikagenda.

Mu gihe ababuranyi benshi basangiye urubanza, umwe muri bo arafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza. N'abasigaye barafise ubwo burenganzira umwe umwe ukwiwe bwo kwunguruza, mu gihe badahisemwo kwifatanya n'uwunguruje. Tubisanga mu ngingo ya 259.

Urubanza rwungurujwe ikiringo cararenze, ruca rutangazwa ko rutakirwa na ho atawoba arinze kubisaba kiretse hatanzwe imvo zumvikana zatumye urubanza rutunguruzwa mu kiringo gitegekanijwe. Tubisanga mu ngingo ya 273 ya rino bwirizwa.

Ariko ico kiringo kirahinduka igihe iyunguruza ry'urubanza rifise intumbero yo gusambuza urwaciwe. Ico kiringo gica kiba imisi 60, gitangura guharurwa kuva umuburanyi amenyeshejwe ingingo ya sentare. Tubisanga mu ngingo ya 134 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Gusubirishamwo urubanza rwabaye ntabanduka, bikorwa mu kiringo nk'ico nyene, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 169 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa, n'aho nyene bicishijwe ku mushikiranganji w'ubutungane.

N'aho biri uko, iyo imanza z'ivyaha canke imanza z'amatati zungururijwe muri sentare ntahinyuzwa, amategeko akurikizwa arahinduka. Ico izo manza ziguma zisangiye, ni uko ibiringo bitangura guharurwa kuva umusi uwo vyerekeye amenyesherejweko urwaciwe.

Mu gusozera, uburenganzira bwo kwunguruza urubanza burekuriwe umuntu wese atashimye urwaciwe, kandi akunguruza mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko. Ariko abantu bitura sentare bomenya ko mu gihe ibiringo vyo kwunguruza vyarenze, iryo yunguruza ntiriheza ngo ryakirwe, kandi nta karenganyo kaba kahabaye nk' uko bamwe bamwe bashobora kuvyiyumvira. Kuri abo bose bitura sentare mu ntumbero yo kwunguruza urubanza, bokwitaho kumenya ingene amategeko abigenga aba yarabitegekanije.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ikete inyigisho rigira kane rya Papa Fransisko



*Iyo ni isanamu ya Papa Fransisko ari impande y'isanama aho umushaha wa Yezu wabonekera Maragarita Mariya Alakoke*

Ku wa 24 Gitugutu 2024, Nyenubweranda Papa Fransisiko yarasohoye ikete « Encyclique » yise « « Dilexit nos » bisigura ngo « Yaradukunze » rigira kane kuva abaye umusubirizi wa Petero mweranda.

Iryo kete ritwereka urukundo rw'Umushaha wa Yezu Kristu yadukunze urutagira ingero. Rikaba rigizwe n'ibice bitanu :

1. Akamaro k'umushaha;
2. Ibimenyetso n'amajambo vy'urukundo ;
3. Ng'uwo umushaha wadukunze ;
4. Urukundo rumara inyota ;
5. Urukundo ku rundi.

Mu gice ca mbere « Akamaro k'Umushaha» Papa afatiye kuri Bibiliya, arerekana ko umutima uri imbere cane, ijambo ry'Imana ryo buzima rishika kure cane rigasobanura ivyipfuzo n'ivyiyumviro biri mu mutima (Abahebreyi 4,12).

Papa agashimangira avuga ko ibititura akarangamutima ka muntu bifise isoko mu nyigisho zatanzwe kera imbere ya Yezu Kristu, aho inyigisho nyinshi zashimikira ku bijanye n'ubwenge, ugushaka n'ubwigenge.

Papa abandanya yerekana ko umuntu akwiye kwama yibuka ko akami ka muntu ari umutima wiwe. Wowo udutandukanya n'abandi, ukaduha akaranga k'Imana, ukadushira mu bunywanyi bw'Imana. Ni kubw'imishaha yacu isi izoshobora guhinduka ; kuko imishaha yacu ifatanye n'Umushaha wa Yezu Kristu ushobora kurangura ibitangaza, ugahindura n'isi.

Mu gica ca kabiri « Ibimenyetso n'amajambo vy'urukundo»: Papa arerekana ko Yezu yagaragaje mu bimenyetso n'amajambo ko Imana iri hafi yacu.

Yamye igaragaza umutima w'impuhwe n'ikigongwe vyayo aho yaca hose yiyegereza abacumuzi n'abagowe, agaburira abashonje, agasangira amagorwa n'abari mu marira no mu kigandaro.

Ku mva ya Lazaro yararize ( Yohani 11,33-35). Nk'umuntu, uwo mutima w'impuhwe n'ikigongwe yabikuye kuri Bikira Mariya nyina wiwe na Yozefu mweranda.

Mu gice ca gatatu « Ng'uwo umushaha wadukunze», Papa Fransisiko aributsa ingene Ekleziya yazirikanye ikinyegezwa c'Umushaha wa Yezu.

Yisunze ikete rya Papa Piyo w'12 « Haurietis aquas » rijanye n'ubuzamvyi bw'Umushaha wa Yezu, aramenyesha ko ubuzamvyi bw'Umushaha wa Yezu budatandukanye n'ukwubaha Yezu Kristu ubwiwe, kuko mu kugirira ubuzamvyi uwo mushaha, dusenga Yezu Kristu ubwiwe nyene, Umwana w'Imana yigize umuntu.

Papa arabandanya yishimikije amajambo ya Papa Benedigito wa 16 avuga ati: « Umutima wa Yezu Kristu wuzuye urukundo rwirwije gatatu : ubwa mbere uw'umutima usanzwe wa muntu , n'uwundi rwirwijemwo kabiri mu vy'umutima : ubuntu n'ubumana aho duhurira n' Imana yigize umuntu.

Amabonekerwa y'abaye ku beranda bamwe bamwe n'umushaha wa Yezu aratuma dukomera muri ubwo buzamvyi.

Mu gice ca kane « Urukundo rumara inyota», Papa Fransisiko asubira gusoma inyandiko. Ari kumwe n'abakristu ba mbere akibuka Yezu Kristu n'urubavu rwiwe rwasogoswe inkota, umuhanuzi Zachariya akaba yarabibuye aho yagira ati : « Kuri uyo munsi, isoko rizokugururirwa inzu ya Dawudi n'ababa i Yeruzalemu, ngo ryuhagire igicumuro n'ubuhumane ». (Zakariya 13,1) Papa akerekana aberanda benshi bubuye isoko ry'amazi adakama ava mu mushaha wa Yezu : umweranda Fransisiko w'i Sales, umweranda Margarita w'i Alakoke n'abandi.

Mu gice ca gatanu « Urukundo ku rundi.» Papa arashimika kuco ubuzamvyi bw'umushaha wa Yezu umaze dufatiye k'urugero rw'umubano n'ubutumwa; mu gihe cose buturongorera kuri Mana Data.

None rero urukundo dukunda benewacu n'igikorwa kirangutse dushobora guhereza Imana kiranga urukundo ku rundi.

Urukundo rw'Umushaha wa Yezu ruratuvukanisha rukongera rukadutuma dutanga iciru ku bubi bwacu nkuko umweranda Yohani Pawulo wa kabiri abivuga ati : « Ugu-terimbere ku Mushaha wa Yezu kuzokubakwa ku musaka watewe n'ishari n'ubugarariji.

Aheraheza iryo kete nyigisho ashikiriza igisabisho umushaha wa Yezu.

**MSV M Gorith Ndikumana**